Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

ARCA

**ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'URWEGO RWA LETA « ARCA » RUJEJWE GUGENZURA NO GUCUNGERA IVYEREKEYE GUTEGANIRIZA IMPANUKA (ASIRANSI) KU VYEREKEYE KUBUZA ISHIRAHAMWE « UCAR AG » GUTANGA AMASEZERANO YO GUTEGANIRIZA IMPANUKA (ASIRANSI).**

Urwego rwa Leta « ARCA » rujejwe kugenzura no gucungera ivyerekeye guteganiriza impanuka (asiransi) rumenyesheje abantu bose ko, hisunzwe ingingo 367 y'Ibwirizwa rigenga ivyerekeye guteganiriza impanuka mu Burundi, rwafashe ingingo N°540/93/014 yo kuwa 13 nyakanga 2023 ibuza ishirahamwe UCAR AG gutanga amasezerano yo guteganiriza impanuka (asiransi) y'ubwoko bwose canke kuyongerereza ikiringo gushika izindi ngingo zifashwe.

Iyo ngingo yafashwe hisunzwe ingingo za 373, 528 na 530 z'Ibwirizwa rigenga ivyerekeye guteganiriza impanuka kubera ishirahamwe UCAR AG ritashoboye gushira mu ngiro indinganizo zo kunagura ishirahamwe kandi ko ubutunzi bwa UCAR AG butifashe neza, ivyo navyo bigatuma inyungu z'abateganirijwe, abakingiwe n'amasezerano n'abandi baheraniwe zigeramirwa.

Mu ntumbero y'ugukirikirana ishirwa mu ngiro y'iyo ngingo, Urwego « ARCA » rukaba rumenyesheje abantu bose ko iyo ngingo, isanwze yarashizwe no ku rubuga ngurukanabumenyi rwa ARCA, yatanguye kuja mu ngiro kuva aho imenyesherejwe iryo shirahamwe kw'igenekerezo rya 14 nyakanga 2023.

**BIGIRIWE I BUJUMBURA KW'IGENEKEREZO RYA 03/10/2023**

**UMUNYAMABANGA MUKURU W'URWEGO ARCA**

**Hon. Dr. Joseph BUTORE**

REPUBLIQUE DU BURUNDI A.R.C.A Tél : 22 27 63 46 22 27 63 47 Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

REPUBLIQUE DU BURUNDI- BUJUMBURA. 51, Boulevard du Japon. Immeuble du Ministère des Finances, 2ème Etage.
B.P. 7384 Bujumbura. Tél + 257 22276346/ 47. Site Web : www.arca.bi. Email : arca@arca.bi